# Amabwirizwa y' ukungene bapima Radon

1. Fungura isashe ya aliminium hanyuma ukuremwo icupa ryirabura. Ntupfundurure iryo icupa.
2. Andika inomero ya code kw'ifishi y'isuzuma isa n'ubururu. Inomero ya code yanditse ku ruhande kuri iryo cupa.
3. Andika itariki isuzuma ryatanguriyeko kuri iyo fishi y'isuzuma isa n'ubururu hamwe no ku ruhande rw'inyuma kuri iyo karata yerekana ko Isuzuma rya Radon rikibandanya. **Ntuzoronka inyishu y'isuzuma mu gihe utanditse itariki ryatanguriyeko.**
4. Shira icupa hejuru y'ikarata yerekana ko Isuzuma rya Radon rikibandanya mu kibanza co kubamwo, nko mu cumba co kuryamamwo, ico kwicaramwo, ico gufunguriramwo, mu biro, canke icumba c'inkino. Iryo cupa ritegerezwa guterekwa n'imiburiburi kuri santimetero 50 uva hasi hamwe n'imiburiburi kuri santimetero 91 uvuye ku miryango yo hanze hamwe n'amadirisha yo hanze. Egeza ibindi bintu biri aho n'imiburiburi kuri santimetero 10 uvuye aho icupa riri mu gihe co gupima.
5. Uzuza ibibanza bisigaye kuri ya fishi y'isuzuma isa n'ubururu uce uyishira hamwe na rya cupa.
6. Mu mpera z'ikiringo co gusuzuma, andika itariki ryasozereweko kuri ya fishi y'isuzuma isa n'ubururu hamwe no ku ruhande rw'inyuma kuri iyo kararata yerekana ko Isuzuma rya Radon rikibandanya. **Ntuzoronka inyishu y'isuzuma mu gihe utanditseko itariki ryasozereweko.**
7. Garukana iryo cupa, ifishi y'isuzuma yujuje neza isa n'ubururu hamwe n'ikarata y'isuzuma yujuje neza yerekana ko Igipimo ca Radon kikibandanya ku kigo RSSI kugira babisuzume.

Uzokwigore:

- Utangure isuzuma buno nyene ukimara kuronka ibikoresho vy'isuzuma.
- Uhire icupa mu kibanza kiri munsi cane mu nzu yawe ubamwo, nko mu cumba co kwicaramwo muri etaje ya mbere canke icumba c'umuryango mu nzu yo mukuzimu.
- Suzuma n'imiburiburi amezi 3, ariko vyoba vyiza igipimo kimaze hagati y'amezi 6 na 12.
- Shiramwo n'ibihe vy'imbeho nyinshi mu bihe vy'isuzuma.
- Koresha uburyo bwawe bwo gushusha no gukanyisha inzu, harimwo kwugururura no kwugara amadirisha n'imiryango, nk'ukwo utegerezwa kubigenza mu bihe bisanzwe.
- Iryo cupa wigore rigume ryumutse.

Ntuzigere:

- Ntuzigere wugurura iryo cupa ryirabura canke ngo ukureko agapapuro kera kariko.
- Ntuzigere ushira icupa mu bwogero, mu gikoni, aho umesera, muri koridoro, mu kabati, canke ahakorerwa ivyuma. Ntuzigere ushira icupa mu nzu yo mukuzimu ***kiretse*** mu gihe hariyo ikibanza co guteramiramwo.
- Ntuzigere unyeganyeza canke ngo uhungabanye icupa mu gihe c'isuzuma.
- Ntuzigere ugerageza guhindura ivyavuye mw'isuzuma.

**Raba ireresi yerekana intambwe ku yindi ukungene wokora igipimo ca radon kuri HealthVermont.gov/radon (mu congereza).**

**Rungika ifishe y'isuzuma yujuje neza hamwe n'igicupa kuri:**
RSSI
6312 Oakton Street
Morton Grove, IL 60053
**Woba ufise ibibazo? Akura abakora mu Mugambi Radon Program:**
**terefone**: 1-800-439-8550
**Imeyiri**: radon@vermont.gov
**Urubuga**: HealthVermont.gov/radon (mu congereza)

VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

# Radon Test Instructions

1. Open the foil pouch and remove the black canister. Do not open the canister.
2. Write the barcode number on the blue testing form. The barcode number is printed on the side of the canister.
3. Write the start date on the blue testing form and on the back of the Radon Test in Progress card. **You will not get a test result if there is no start date written down.**
4. Place the canister on top of the Radon Test in Progress card in a living space, like a bedroom, living room, dining room, office, or playroom. The canister should be placed at least 20 inches from the floor and at least three feet from exterior doors and windows. Keep other objects at least 4 inches away from the canister during the test.
5. Fill out the rest of the blue testing form and keep it with the canister.
6. At the end of the testing period, write the end date on the blue testing form and on the back of the Radon Test in Progress card. **You will not get a test result if there is no end date written down.**
7. Return the canister, completed blue testing form and completed Radon Test in Progress card to RSSI for analysis.

**Make sure to:**

- Start the test as soon as you get the test kit.
- Place the canister in the lowest living area of your home, like a first floor living room or basement family room.
- Test for at least 3 months, but ideally for 6 to 12 months.
- Include a winter season in the testing period.
- Use your heating and cooling systems, including opening or closing windows and doors, as you normally would.
- Keep the canister dry.

**Do not:**

- Do not open the black canister or remove the white label from the canister.
- Do not put the canister in a bathroom, kitchen, laundry room, hallway, closet, or mechanical room. Do not put the canister in a basement ***unless*** it contains living space.
- Do not move or disturb the canister during the test.
- Do not try to manipulate the results.

**Watch a step-by-step video of how to complete your radon test at HealthVermont.gov/radon (in English).**

**Return completed form and canister to:**
RSSI
6312 Oakton Street
Morton Grove, IL 60053

VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

**Questions? Contact the Radon Program:**
**phone**: 1-800-439-8550
**e-mail**: radon@vermont.gov
**website**: HealthVermont.gov/radon (in English)